**Bible lessons.** **Lesson 6** **CLIMAX OF CREATION OF MAN.**
**Genesis 2:7-25**
**Memory verse: "What is a man that you are mindful of him, and the son of man that you visit him. For you have made him a little lower than the angels, and you have crowned him with glory and honor." Psalm 8:4-5**

**IMANA IREMA UMUNTU**

ICIRWA CA 6

**Itang. 2:7-25**

Ijambo ngenderwako: "***Umuntu ni iki aho umwibuka; canke umwana w'umuntu aho umugendera, Hari habuze gato ukamunganya n'Imana umwambika ubwiza n'icubahiro nk'igitsibo***?" **Zab 8:4-5**

## I.Intangamarara

Imana imaze kurema ibintu vyose, ireme umuntu mw'ishusho yayo. Umuha ivyo kumutunga nkuko yabikoze ku bindi binyabuzima. Iraheza itunganya itongo ryo muri Eden kandi irishikiriza uwo mugabo ngo aririme kandi arizigame. Yes. 51:3.
Umuntu yahawe uburenganzira kubiti vyose vyo muri iryo tongo ukuyemwo kimwe, imirongo wa 16-17. Imana iremera Adamu umugore bikwiranye, umur wa 21

**I. Igikorwa ca nyuma mukurema.** umusi ugira gatandatu

Umuntu niwe yaherukiweko mw'irema. Iki gihe nico Imana yaha ububasha umuntu bwo kuganza ivyaremwe vyose. Imana yavuze iti:<< ***reka tureme umuntu mw'ishusho yacu***>>iyi nsigarirazina muvurwa '**twe**' iri muri bwinshi yerekana ko igikowa co kurema umuntu cakozwe na: Data, Umwana na Mpwemu Yera. Aha niho haboneka ubukuru bwagizwe umuntu gusumba ibindi biremwa vyose,

**II. "Ase natwe"**

Umuntu wenyene niwe yaremwe mw'ishusho y'Imana. Imana ni Mpwemu. Gusa n'Imana biboneka ko umuntu asa n'Imana mu buryo bwa Mpwemu. Ijambo ry'Imana rirerekana ko hari itandukaniro rinini hagati y'umuntu n'ibindi

biremwa vy'ibikoko. Imana yashize umutima wayo mu muntu. Umuntu aca aba uwufise **ubugingo.**

Ubu bugingo ntibuzigera bupfa. Umuntu afise ibimugize nk'ivy'Imana. Umutima udapfa. Uyu Mutima nta gikoko kiwufise. Umuntu wukuri aba muri uyu mubiri twambaye, iyo avuye muri wo ajanwa ahandi hantu heza canke habi bivana n'uwo yakoreye, ariko ibikoko birapfa bikazimangana. **Umusig.:3:21** <<***Impwemu z'umuntu iyo zimuvuyemwo; ninde yomenya ko ziduga? Canke impwemu z'igikoko iyo zikivuyemwo, ko zimanuka mu kuzimu?***>>

Uyu mubiri ugereranywa ibahasha ibika ikete ariko ikete nyezina iri imbere. Ni naco gituma Imana Data, mwana na Mpwemu Yera baboneka bakunda umuntu cane gushika naho Yesu yemera kwitanga ku musaraba kugira amucungure.

**III. Yaremwe akuwe mw'ivu.**

Hanyuma Imana irema umuntu imukuye mu mukunguvu wo hasi amuhumekera mu mazuru impwemu y'ubugingo. Abiga ibijanye n'ivy'ubuzima (biologistes) bemeza ko ibigize umubiri w'umuntu vyinshi bifise isano n'ivu. Mugabo ubugingo bwo bwaje buvuye ku Mana. Umuntu agizwe n'umubiri, impwemu n'ubugingo **1Tesal. 5:23b** ***impwemu yanyu, ubugingo n'umubiri vyose hamwe bizigamwe…."***

Ni twibaze ubwiza buba buri aho hantu igihe hatobaye harononekajwe n'icaha! nta ngwara, nta mibabaro, nta marira, nta muvumo, nta bukene, nta nzara... Adamu yari umunezero w'Uhoraho yagendana n'Imana bakavugana nk'incuti yiwe, amahirwe ni uko Yesu yaje kubaka iyi migenderanire yari yatosekaye k'umuntu wese abigomvye kuko Imana yarahaye umuntu ubwenge bwo kwiyumvira, gutahura no guhitamwo bivanye nico wenyene yigombeye

**IV.Itongo ry'Imana**

UHORAHO Imana atunganya itongo muri Edeni mu ruhande rwo mu buseruko. Aha hantu hari ibimera vyiza cane kandi umuntu yashobora kurya agahimbarwa. Ryari itongo ryiza cane… Imana iha umuntu ububasha bwo kuganza ivyaremwe vyose.

Uyu muntu avyita amazina vyose uko vyitwa uyu musi. Icari icitonderwa muri iri tongo; ni igiti kimwe cari cihanikirijwe n'Imana ko atawutegerezwa kukiryako. Aha kuko umuntu yahawe uburenganzira bwo guhitamwo iciza n'ikibi; kwari ukugira ngo umuntu agire ico yihitiramwo ubuzima canke urupfu umugisha canke umuvumo. N'ubu umuntu aracafise ubwo burenganzira k'ubuzima bwiwe. Kubaho ubuzima bw'amahirwe canke kuzobaho mu buzima

bw’amagorwa aho abaho bama ari kurya insya z’amenyo. " **John 14:15’** << ***ni mwankunda; muzitondera ivyagezwe vyanje***>> kandi ivyagezwe vyayo ntibigora [**1 yoh. 5:3**].

**V.Umufasha bakwiranye.**
Ico kumenya ni uko Imana itibesha na gato. Uwo ihaye umufasha vyukuri baba bakwiranye kandi iyo hatabaye gutwarwa n’umubiri mu bihe vyo gucagura; uru rugo rurakomera cane hakama haboneka ukuri, urukundo no gukorera Imana muvyo idusaba mu munezero wumwe wese. Uwiyumvira ko abana n’uwo badakwiranye aba arimwo impwemu z’abadayimoni. Uwo muri kumwe niwe mukwiranye. Imana ntiyihenda ni wewe uriko wibesha. Uko mubanye ni vyiza.

**IV. Gushira mu ngiro**
Imana niyo muremyi w’umuntu. Habuze gato ikamunganisha nayo. Ifise Impwemu zacu mu biganza vyayo ; ishobora kutugira uko ishatse kose mu gihe cose ibigomvye ; umuntu yamuremye mu buryo butndukanye n’ubwo yaremyemwo ibindi bikoko vyose, imuha impwemu zivuye muri yo asa nayo, imuha uburenganzira bwo kwihitiramwo iciza n íkibi bivanye nuko avyishakiye.

Ni uruhara rwawe uyu musi rwo kwihitiramwo umugisha canke umuvumo, ico ikumenyesha ni uko kuzobaho kwawe neza canke nabi inyuma y’urupfu, bizotuma wicuza canke unezererwa ivyo wabayemwo mugihe wemeye kugendera mu nzira zigororotse nkuko ijambo rivuga.

**Bible lessons.** **Lesson 7** **GOD GAVE TO ADAM WHAT HE MISSED: A WOMAN**
**Genesis 2:18-28**
**Memory verse: "He who finds a wife, finds a good thing." Proverb$_a$ 18:22**

**IMANA IHA ADAMU ICO YARI YARAKENYE.**

**ICIRWA CA 7.**

**Itang.2:18-25**

Iambo ngenderwako: **"uwuronse umugore aba aronse ikintu ciza" Imig 18:22**

**I.Intangamarara.**

Iyi nkuru iratwererka ingene Imana yakoze kugira ihe Adamu ikintu yari yarakenye canatumya atari bwigere anezererwa kuva yaremwa. Umugore bakwiranye. Twizera ko urugo rwiza ari icitegererezo c'I paradise ya hano kw'isi. Ibi kuko biragoye ko urugo rwamamwo amatati; benerwo bohava bakagororoka imisi yose nkuko ijambo ry'Imana bibidusaba.

Mu bice vya mbere, twarize ukuri gutangaje mu kuremwa kw'ibiriho vyose. Ku musi wa nyuma ariwo wa gatandatu. Mukurema Imana ibona ko vyose ari vyiza, vvyari, vyiza kandi vyiza pe. Ariko tugeze mugice ca 2 umurongo wa 18a, Imana ica irabona ko hariho ikintu kimwe atari ciza namba: <<Uhoraho aravuga ati: ***si vyiza ko umuntu yibana wenyene***.>> umurongo 18b arivugira ati:<*Hinge ndamuronderere umufasha bakwiranye*.>

**II. Ubukwe bwa mbere. Adamu na Eva.**

Ijambo ADAM riva mu kirimi c'igiheburayo risobanura ngo /ivu/ mw'ivu rero niho Imana yafashe dukeya abubamwo umuntu wa mbere. Niho yaca afata agace gato urubavu akuye kuri uwo muntu amuremeramwo umugore bikwiranye.

Niba Imana ivuga ko amuhaye umugore bikwiranye nta kwihenda kwarimwo nagato, ubuzima bwose bazocamwo ivyiza canke ibibi bizoba bikwiranye kuri bose. Imana yamuremeye umugore umwe gusa kuko yabona amuhagije muri vyose. Aha rero ikibazo kigaruka co kwibaza ni igituma abagabo bo mu runganwe rw'inyuma yiwe usanga umwe arongora abagore 2, 3, 4... ngo hari nuwagejeje ku 1001.

Ikindi kigoye itahura n'iki kibaza giti, < n'iki gituma hari umugore usanga adahagijwe n'umugabo wiwe kugeza aho aja gushurashura n'abandi bagabo umwe canke abarenga? Uhoraho akoresha ijambo / **umufasha bakwiranye/** bisigura ko uyu mugabo harico yari akibuze muri we kugira abe uwuzuye koko. Tunavuga duti:< inyishu kukibazo gikomeye yari afise> Imana yari izi iciza akeneye, igice ca 2:22 <***Urwo rubavu Uhoraho akuye muri uwo muntu, arukuramwo Umugore aramumuzanira***. Umugabo akwiranye n'abagore bangahe? umugore akwiranye n'abagabo bangahe?

**III. Umunezero wa Adamu**

Adamu Kuva ako kanya amubonye aranezererwa, atangura gutwenga, kuvuga kuko kuva yaremwa ntiyari bwigere avuga. Kubera ivyishimo aravuga ati: <***Uwu ni igufa ryo mu magufa yanje; ni umubiri wo mu mubiri wanje>.*** Birumvikana ko yavuze ati" < ndarose ico nari narabuze.> Ikibazo kigaruka niki ngo:< biva kuki ngo umugabo n'umugore wiwe bakwiranye bashwane, barwane bigere naho bamwe bicana bagacumitana inkota? igufa ryavuya mu magufa yiwe.

Kumurongo wa 23 arabandanya ati:< ***azokwitwa umugore kuko yakuwe mu mugabo***,>. aha haratwereka ko bidakwiye ko umusore canke inkumi batwarwa n'umururumbo w'umubiri canke ibindi vyipfuzo ngo bonyene banezererwe no kwihitamwo umugore canke umugabo wokubana. Mu vyukuri umwe wese hano akwiye kurindira Uhoraho wenyene akaba ariwe amucagurira uwo bakwiranye. Mpwemu Yera twaramuhawe nk'umufasha muri vyose. Bitabaye uko; ni rwa rugo bashinga mu kiringo gito ukumva ngo biranse turondere gutandukana. ico naco kikaba ari ikintu kidatera iteka urwo rugo, ishengero, umuryango, ikibano ndetse n'igihugu.

**IV.Gushira mu ngiro.**

Imana we muremyi w'abantu arazi ivyo umuntu akenera vyose kugira abeho anezerewe mu gihe akiri kw'isi. Yahaye Adamu umugore aranezererwa. Uko yamye niko ikiri; ntihinduka. Uko yarondereya Adamu umugore bakwiranye, niko nawe yaguhaye umugore canke umugabo mukwiranye. Ikibabaje ni igihe hoba hagera igihe ukibaza ko yaguhenuriyeko uwo yari yarabuze uwamuha. Oya sivyo.

Irafise n'umugambi wo gucagurira umwe wese atararongora canke ngo arongorwe uwo bakwiranye. Ikibazo ni uko abenshi bashaka kwicagurira baravye ubwiza bw'umubiri canke imiryango bavamwo.

Niba vyukuri ubona ata munezero ufitiye uwo mubanye, uwo ni Satani yabateye. Wohaguruka ugasenga. Niba naho ubona umerewe neza; naho nyenye wohaguruka ugasengera urugo rwawe. Nico kimwe n'uko woba utaramenya uwo muzobana; wohaguruka ukamusaba Imana.

**Bible lessons.** **Lesson 8** **GOD'S DESIGN FOR MARRIAGE./ leave Father and mother**
**Genesis 2:21-24**
**Memory verse: "Therefore a man shall leave his father and mother and be joined to his wife, and they shall become one flesh." Gen.2:24**

## INGINGO NGENDERWAKWO Z'UMUBANO WABUBATSE. Gusiga so na nyoko

## ICIRWA CA 8

**Itang.2:21-24**

Ijambo ngenderwako:<< ***nico gituma umugabo azosiga se na nyina akabana n'umugore wiwe ubutakivana bakaba umubiri umwe***>> Itang.2:24.

1. **Gusiga so na nyoko ukabana n'umugore canke umugabo wawe ubutakivana.**

Aha naho havuga uko, Imana ntivuga ko umusore canke umwigeme azoca aheba imigenderanire canke ugufashanya mu kibazo iki canke ikindi n'abamuvyaye. Ahubwo havuga ko agiye gutangura ubundi buzima bushasha budasa n'ubwo yahoramwo m'uwundi muryango. Umuryango mushasha urashobora kuba utandukanye nivyo yari amenyereye iwabo mu mico, imyifato, ubutunzi, n'ibindi. Ni isi nshasha.

2. **Kubana ubutakivana.**

Bitangaje kubona ab'inyuma ya Adamu kugera no k'ub'iki gihe; umugabo canke umugore biyumvira ngo:< ntitugikwiranye, turananiranye, turavana, nirongorere canke nirongorerwe n'uwundi barahari> menya ko abo bose ubona bafise bene bo. Kubihitamwo ni ugusambana vyeruye.

Aha ikibazo gikunda kugaruka ni iki ngo:<<Mbe vyanse gose ko tubana nohava nkakora iki ko ndi umukristo? Inyishu ni ijambo ry'Imana **Imig.18:22** <<***Uwuronse Umugore aba aronse ikintu ciza, kandi aba aronse ingabire ahawe n'Uhoraho***>> **Imig.24:10** <<***Niwadendebukirwa ku musi w'ivyago inkomezi zawe zizoba zari nke***>> Imig.25:24 <<***wopfuma wibera hanze, hako ubabana n'umugore w'ingare mu nzu.***>> Aha handikwa umugore ariko bikaba biraba n'umugabo kuko ni umubiri umwe.

Ijambo ry'Imana riratubwira ko ata burengenzira dufise bwo kudendebukirwa na gato. Ntawemerewe kuvuga ngo arananiye. Ikiboneka ni uko ubugare

bwadutse kumwe canke uwundi umwe aremererwa kwahukana akaraba aho aba arigiriye wenyene. Aha bahita mu gahinga. Ibi bisaba uwunaniwe gusenga Imana yamuguhaye ikazomukugarukanira. Mureke ayerere mw'isi, niyo yaruha azogaruka kandi azoba yigishijwe. Biranasabwa ko utitaho ingeso z'uwo mwubakanye kuko ntimwahujwe n'ingeso zanyu mwahujwe n'urukundo.

-1kor.13:4-6<<***Urukundo rurihangana, rugira neza, Urukundo ntirugira ishari, urukundo ntirwihayagiza…rwihanganira vyose***>> aha biboneka ko uwudafise urukundo atoshobora no gutunganya neza urugo rwiwe canke kunesha mu bigeragezo vyinshi umukriso ahura navyo nka Mukrito.

**III.Ni ryari hagera kurongora canke kurongorwa?**

Yes.34:16<<***Nimirondere mu gitabo c'Uhoraho musome; ntanakimwe co muri ivyo kizobura, ntakigore kizobura ikigabo caco, kuko akanwa kiwe ariko kabigeze, kandi impwemu ziwe akaba arizo zibikoranije***>>

Hari abavyeyi canke ababanyi usanga bariko barahatira umusore canke umukobwa kurongora canke kurongogwa ngo yaratevye. Biboneka ko niba ataravyiyumvamwo uwiwe aba agitegurwa. ***ntakigore kizobura ikigabo caco canke ikigabo kizobura ikigore caco.***

**IV.Gushira mu ngiro**

Urugo rutunganye ni ishusho y'I paradizo hano kw'isi, rurabereye kurubamwo ariko rero bidasigura ko ikibazo canke ingorane zohiyadukiza kubera ko ataho intambara izohera ntaho amahoro azohora kugeza ivyaha n'urupfu bitsinzwe na Yesu. Tumaze gutunganya ingo zacu, dushireko kuronderana umwete ibiri mw'ijuru aho amahoro ahoraho, ivyago bitagera.

Aha niho tuzobana na Yesu nk'umukwe n'umugeni ubutakivana; nayo aha kw'isi naho tuba twarakundanye koko bigashimwa, ibihe n'imyaka ntibitwemerera guhorana, bitebe bitebuke umwe azosiga uwundi kubera urupfu, amahirwe kubamaze kwakira Umwami Yesu nk'umucunguzi wabo, bahuriye mw'ijuru bazomenyana naho atazoba ari wa mubano w'umugore n'umugabo. Harageze ko umwe wese asengera urugo rwiwe.

**Bible lessons. Lesson 9 GOD'S DESIGN FOR MARRIAGE/ place of God in the family.**
**Genesis 2:21-25**
**Memory verse: "Unless the Lord builds the house, they labor in vain who build it, the watchman stays awake in vain." Psalms 127:1**

**UMUBANO W'ABUBATSE/ ikibanza c'Imana m'urugo**

**ICIRWA CA 9**:

**Itanguriro 2:21-25**

Umurongo ngenderwako: <***Uhoraho iyo Atari we yubaka inzu, abayubaka baba bariko bararuhira ubusa***>> Zabur. 127: 1

**I.Guha Imana ikibanza ca mbere mu rugo**

Niba bibiliya idusaba kugira imigenderanire myiza n'uwo mubana; urasabwa kugira ubucuti bwuzuye n'Imana.

Impamvu ni uko tubizi ko mwokundana ndetse mukubahana nkuko vyari bikenewe; mudafise urukundo rw'Imana m'urugo rwanyu umwansi ararutera imitongano ikaduka k'urugero namwe mutibaza. Ivyo umurwanizi yuririrako ntibibura. Rimwe na rimwe (ukutavyyara, indwara, ubukene, ubuhemu bw'umwe canke uwundi….) uwo gutabara akaba Imana. <<***Umugabo akunde umugore nkuko kristo yakunze ishengero akaryigura***>> **Efes.5:25.**

**II.Ibikorwa vyo gutsimbataza imigenderanire n'Imana.**

Hari ibkiorwa vyo gukora imisi yose m'urugo nyumay'ibikorwa vya misi yose vyo kuronderera umuryango ni ibi:

1) Gufashanya mu gusoma ijambo ry'Imana no kwiga ivyirwa vya Bibiliya;
2) Kuririmbira hamwe indirimbo zo guhimbaza Imana mwese n'abana;
3) Gusenga musaba Uhoraho guhora atwikiriye imitima yanyu n'amaraso yiwe;
4) Kumviriza ubutumwa bw'Imana mu maradio, Tv, vyo m'urugo rwanyu;
5) Gufata urugendo mukaja kubwira ubutumwa bwiza abatarabumenya no kuremesha abananiwe;

6) Guhora mushima Imana muharura imigisha yabahaye n’ivyo ahora akorera urugo rwanyu;
7) Kwitabira ibikorwa vyo k’urusengero;
8) Gukorera hamwe ibikorwa bimwe bimwe vy’ubutabazi mu kibano;
9) N’ibindi nkuko Mpwemu Yera abibibukije.

Ibi birakunda kubera urukundo Imana ishira muwo yaguhaye mukwiranye.” Ni naco gituma ijambo ry’Imana ritatwemerera gushingiranwa n’uwo wese atarakira Yesu nk’Umwami n’umukiza wiwe. Urugo rutarimwo Imana ni nko kwibera mu mwijima utazima.

**3.Gukorera hamwe**.

Iyo mu rugo umwe atanguye gukoresha ijambo ngo: “’jewe, canje, vyanje’’ ntiyigere yumva muri we yovuga ngo:’’twebwe, cacu, vyacu’’ aho umenya ko impera n’imperuka urwo rugo ruzoba mu matati akomeye. Satani arakunze gukoresha iki kirwanisho mu ngo nyishi bitewe n’uko bose mu rugo badashobora kuronka no kwinjiriza urugo ibingana imisi yose.

Uyu agiriwe ubuntu haraho aca aterwa n’impwemu yo kwikunda agasuzugura uwo babanye, umwasi akaba abafashe bakaba batakaje agakiza kubera ubutunzi bw’iyi si. Urasanga batangura kunyegezanya ivyo baronse; ikinyoma kikaronka ijambo m’urugo. Ukuri kukabura, aho wa mwansi akaba ararushikiriye**. Iyah.22:15** << ***Inyuma haziba imbwa, abarozi, abashurashuzi, abasenga ibigirwamana n’umuntu wese akunda kubesha akabikora***.>>

**III.Gushira mu ngiro**

Imana niyo yaremye umuntu mw’ishusho yayo. Ishinga urugo rwa mbere iraruhezagira. Birababaza Imana cane kubona hari imiryango yayirukanye mungo zabo. Bahisemwo kwirongora no kurongorwa n’ivyipfuzo vy’isi.

Umwami yesu avuga ati: “*Ehe mpagaze k’urugi, ndaramukije. Umuntu ni yumva ijwi ryanje, akugurura umwango, ndijira iwe dusangire*”. **Ivyahis.3: 20.** Arashobora kuba yaradodoye kenshi mukanka kumwugururira m’urugo rwanyu. Arasubiye. Niba mubona ko akenewe kuba m’urugo no mu mitima yanyu; wohaguruka ugasenga ukamwinjiza m’urugo no mu mitima yanyu.

**Bible lessons.** **Lesson 10** **GOD'S DESIGN FOR MARRIAGE/Principle of Dialogue.**
**Genesis 2:21-25**
**Memory verse: "As an iron sharpens iron, so a man sharpens the countenance of his friend.." Proverbs 27:17**

**UMUBANO W'ABUBATSE: Ikiyago mububakanye.**

## ICIRWA CA 10:

**Itanguriro 2:21-25**

Umurong ngenderwako:<<***Uko icuma gikarisha ikindi niko umuntu akarisha mugenzi we***.>> **Imig.27:17**

### I.Ikiyago.

Mugihe ishengero rikiri muri iyi si, amakosa arashobora kuba hagati y'abubakanye. ico gukora si ukwihutira muri sentare. Inyishu ni ukwicarana mugatangura ikiyago hagati yanyu mukavugana ukuri kuri iyi ngorane yateye urugo.

Ikibazo ni uko bamwe bibaza ko niyo bakoresha ikinyoma mu kwisigura ariho azoba ashoboye uwo babana. Yonabikora bigakunda, ingorane ni uko umusi ca kinyoma caramutse kigiye ahabona, uyo azokorwa n'isoni gusumba aho yari kubivuga kare. Ubikoze uko, uzosanga yaragufashije mu ntege nke zawe zari zigiye gusambura urugo rwanyu.

### II.Ingaruka y'ikinyoma m'urugo.

Hari ingo, Ikinyoma arico gitangura umusi mu mutwenzi bakarinda basinzira arico gifise ijambo. Umwe wese akora uko ashoboye akabesha mugenzi we hafi muri vyose. Ibi binezereza satani cane, bamwe no mu gusenga barinyegezanya kugira mugenziwe ntiyumve ivyo asenga. Yohava asnga bihushanye n'ivyo yiriwe amubwira. Harakenewe amasengesho kugira abubakanye bagendere mu nkingi z'ishengero nk'uko vyigishijwe n'intumwa za Christo: < ukuri, urukundo, ivugabutumwa>

**III.Ingaruka yo kubura ikiyago c'ukuri m'urugo.**

Kubera ivyaha vy'ububeshi no kuticarana ngo habe ikyago, urasanga ingo nyinshi zarasambutse mw'ibanga: baragabuye ivyumba vy'uburaro, ntawumenya udufaranga uwundi atunze, umwe wese araba afise urudandaza, umurima uwundi atazi uko bigenda n'ibindi bibi bene ivyo. Aha wokwibaza indero nyabaki abo bariko barereka abana babo canke ikibano? Niba warahawe ibango m'urusengero usabwa gusenga kugira Imana ikubohore kuko uratera amakenga mw'ishengero no mu kibano. Komeza ikiyago urugo ruzokomera.

**IV.Ikiyago gikorwa ryari?**

Birasabwa ko haba integuro nziza kugira ikiyago kigende neza,

- Ikibanza gituje: Zimya I Radiyo, Televiziyo n'ibindi bisakuza.

-Imyifato ibereye: shira telephone hasi, reka kwerekana isura mbi mugusohora amajambo, reka kuvugisha ijwi rikarishe, rirondomoka, vuga amajambo y'ukuri, raba ko uwo muyaga atabindi bibazo afise nk'inzara, amahera yo kuriha inzu n'ibindi

-Igihe kibereye: tanguza amasengesho, Tegura kuyagisha uwo mubanye yaruhutse, ntumufatiranye ariho akiva ku kazi canke m'urugendo n'ibindi

**V.Gushira mu ngiro.**

Uhoraho aranezerwa n'urugo rurimwo umunezero. Birashoboka amahoro akaba mu mitima y'abubatse no mu ngo zabo. Ibidashobokera abantu, bishobokera uwizea. Hari ico umwami Yesu agusaba. Ni uko ugira ubwawe umutima wipfuriza uwundi ineza.

Niba wumva ko ugikeneye umucunguzi muri wewe n'aho ubaye, wohaguruka ugasenga ubu nyene.

**Bible lessons.** **Lesson 11** **GOD'S DESIGN FOR MARRIAGE/Principle of confidence.**
**Genesis 2:21-25**
**Memory verse: "*He who covers a transgresiion seeks love, but he who repeats a matter separates friends.*>>." Prov.17:9**

**UMUBANO W'ABUBATSE/ Ingigo y'ubwizigirwa**

**ICIRWA CA 11**

**Itanguriro 2:21-25**

Umurongo ngenderwako:"***uwupfuka igicumuro aba arondera urukundo, ariko uwuhoza ikintu mu kanwa atandukanya abakundana cane***" prov.17:9

**1.Ubwizigirwa no kubahana**

Uko uzomarana imisi n'uwo mwubakanye niko uzogenda uratahura intege nke ziwe n'ingene wozihanganira no kuzitorera umuti. Niba umugabo akenye n'avyemere areke gutsimbatara ku cubahiro c'ubugabo maze umugore amufashe. Ico tubona ni uko twese umugabo n'umugore twaremwe mw'ishusho y'Imana. Urukundo Imana ikunda umwe nirwo ikunda n'uwundi. Ijambo ry'Imana rirerekana ko hariho itunganywa ry'ibikorwa mu buzima bwa misi yose ku mugabo canke ku mugore kugira ngo vyose bigende neza: ico twiga hano ni uko umwe wese mu gikorwa ahawe gukora ni agikorane ubwizigirwa niho azoba abereye abamuraba umuco

**II.Ivyo gukora kugira ubwizigirwa bushinge imizi m'urugo**

1) Gufashanya mu bikorwa vyose vyo m'urugo ata gutererana mu gihe cose ufise umwanya;

2) Kutigera uhirahira ngo wararaze umugore wawe canke umugabo wawe mu bagenzi bawe canke uwundi muntu wese ku makosa canke integer nke uba umuziko. Ibi ni kuko muri umubiri umwe. Burya ni wewe uba uriko wiyambura agahuzu. Ninde wohava ukizera ko ataho azobivuga. Pfuka ingorane yiwe, ntakidahinduka ejo azoba muzima. Hamwe no gusenga Mpwemu Yera aba ariko arakora iyo mwamuhaye umwanya mu rugo rwanyu.

**III. kwitanaho <<care>>**

Ukwitaho uwo mubana birerekana urugero rw'urukondo umufiseko mu mutima wawe.

Ibi nivyo vyambere biduza umunezero mu rugo rw'abakristo. Urashobora kuvuga:<< ndakunda umugore/umugabo wanje cane>> kugera naho werekana isura idasanzwe y'urukundo kuri we. Mugeze mu rugo ukoza amasahani, ukamesura impuzu, ukamuha ishurwe ry'urukundo, umuhamagara kwiterefone akanya kose… ivyo biri nico bimaze kandi nivyo Ijambo ry'Iman ritegeka.

Hamwe nivyo, urasabwa kumenya ico cose akunda akaba arico amukorera kenshi gashoboka naho vyoba bigoye. ukagira indahiro yo gukora ico cose umaze kumenya ko kibabaza uyo mwubakanye naho vyomusaba ikiguzi uko congana kose. Uburorero:

- Gusangirira hamwe;
- Kugumana no kuruhukira hamwe m'urugo uko bishobotse;
- Kumuzanira ico Atari yiteze akunda (surprises) ;
- Gutemberana hamwe mu bibanza bikoraniririrwamwo n'abantu benshi ;
- Gutegurira hamwe ibhe vyo kwinezereza n'abana banyu.
- …..

**IV.Kumenya uwo mwubakanye.**

Urugo rugereranywa n'umwana avutse gushika amenye gutambuka. Mu misi yiwe yambere aguma mu maboko ya mama wiwe, vyatevye akagera aho amenya kwicara, imisi ikabandanya akagera aho yiga kwavura akanabimenya, nyuma atangura kwiga guhaguruka yifadikije ikintu canke umuntu, vyatevye agashingura ikirenge ca mbere bigatinda bikamuviramwo no gutambuka koko nk'abandi bose.

Kugira arinde ashikira iyi ntambuko, aba yaridudaguye no gukumbagara kenshi gashoboka mugabo akabandanya. Ibi bikurikirwa n'umunezero mwinshi cane no gutangara kubo mu rugo iwabo. Ico utomenya ni igihe ico gikorwa kizomara.

N'urugo ni uko. <<***Mbega hari ikinanira Uhoraho***?>> **Itang.18a:**

**V.Gushira mu ngiro.**

Uhoraho yama amanuka kuganira n'abari bagize urugo rwa mbere bataracumura. Kubura ubwizigirwa nivyo biriko birasambura ingo nyinshi. havyutse impwemu yo kwikunda ikinyoma gihabwa icicaro mu ngo nyishi.

Uku kutaba umwizigirwa ni impwemu iva kwa Satani. Bituma habura amahoro, umunezero, iterambere, n'ibindi.

Tubaye ho uko Imana ishaka, bihesha icubahiro umucunguzi wacu kandi bizomuhimbara kuduha ubwami. Nawe uratumiwe kwibera muri iyo paradizo twateguriwe n'umwami Yesu. Niba utaramwakira canke bikikugora mu rugendo rwawe canke ukaba ubaye mu rugo uhorana agahinda, umwanya ni uyu nyene wo gusenga Imana yiteguye kugutabara.